Kirundi / Rundi

# IBIZIMU VYO MW'ISHAMBA BIRIMWO UBUMARA



- Ibizinu vyo mw'ishamba birimwo ubumara kenshi na kenshi biboneka inyuma y'imvura nziza  ya mbere y'agatasi.
- Ivyo bizinu birimwo ubumara ushobora kubisanga ahantu henshi, harimwo mw'ishamba, mu mashamba arimwo ibiti, ahantu abantu baja gutemberera no kuruhukira, ku bibuga vyo gukinirako, ahantu hakikije amashuri, ahantu hasanzwe harimwa, ibindi ukabisanga iruhande y'imihira nko mu karima iwawe, muri zi nyabarega, n'ahandi  nko mu mukenkekenke .
- Gumiza ijisho ryawe ku bana bawe no ku dukoko tw'udutungano igihe uri hanze kubera yuko ibizinu biroroshe gushikira kandi birashobora kuba bibereye ijisho kuribwa.
- Abantu babaye hanze y'igihugu bategerezwa kumenya yuko ibizinu birimwo ubumara muri Australia bishobora gusa n'ibizinu biribwa biboneka mu bindi bihugu.
- Ibizinu bishobora kuzana urupfu ni vyo bizinu bishobora gutera akaga gakomeye kandi birashobora gutuma habaho ukwononekara kubi kw'igitigu. Kubiteka canke kubihwata ntibikuraho ubumara. Akantu gatera urupfu ruvuye ku bumara gakurana na Oak, hazel, hamwe n'igiti ca chestnut, ariko ibizinu vya lethal birashobora gukura ah ari ho hose. Ibizinu bishobora kuribwa ni ivyo vyonyene umuntu ashobora kugura ku babiteye canke akabigurira mu maduka manini manini nay o nyene yemewe.
- Iyo bishitse umuntu akarya ikizinu kirimwo ubumara, ntarinde kurindira ko ibimenyetso bibanza kuza, asabwe guhamagara **Poisons Information Centre on 13 11 26** maze agakwirikiza impanuro zabo.

  Uwo ari we wese agwara inyuma y'ukurya ibizinu birimwo ubumara akwiriye kurondera muganga vyihutirwa.


  **Mugihe c'ihutirwa, burigihe hamagara zero zitatu (000).**

## Ibimenyetso V'yibizinu vyo mw'ishamba birimwo ubumara harimwo:

- **Kwumva ubabara mu nda**
- **Kubabara mu gikiriza**
- **Kudahwa**
- **Gusesemwa**
- **Gucibwamwo**

**Ibimenyetso mu bisanzwe bitangura kwiyerekana hagati y'isha 3-6 inyuma y'uko uhejeje kurya ikizinu kandi ivyo bishobora kumara imisi 3.**

**Ibizinu bishobora guteza akaga birashobora guteba kwerekana ibimenyetso bigashobora gutangura amasaha 24 inyuma yo kurya.**



**www.sahealth.sa.gov.au/mushroompoisoning**



Government of South Australia
SA Health

FIS: 22058